**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°23 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 21 MUKAKARO 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 21 Mukakaro 2021, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 19 Mukakaro 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Urugero rw'amahera azokoreshwa muri Reta mu gice ca mbere c'umwaka w'i 2021 ushira uwa 2022,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Urugero rw'amahera akoreshwa rubwirizwa gukurikiza amategeko ahari nayo akaba ari nk'ayerekeye ingene amahera ya Reta akoreshwa, ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2021 ushira uw'2022, naryo mu ngingo yaryo ya 50 rikaba ritegeka kwerekana urugero rw'amahera akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atat'atatu, Inama y'Abashikiranganji ikabwirizwa kuvyemeza.

Ayo mahera rero asohoka hafatiwe ku yinjiye mu kigega ca Reta. Urwo rugero rw'amahera rwerekeye amahera yose akoreshwa kiretse ayajanye n'imishahara be no kuriha amadeni.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, bimwe bimwe mu vyashikirijwe bikaba ari ibi bikurikira :

- Gukoresha neza uburyo bwatanzwe muri uwu mwaka mu kwubahiriza indinganizo y'ingene buzokoreshwa mu bushikiranganji;

- Mu gihe ibice mirongo ibiri na bitanu vyategekanijwe gukoreshwa mu gice ca mbere c'umwaka birenze, kubifatirako ku bice vy'umwaka bikurikira kugirango umwaka uzohere ata mahera arenga ku yategekanijwe;
- Muri uyu mwaka w'amafaranga ya Reta w'2021 ushira uwa 2022, Komisariya nkuru ijejwe uruja n'uruza be n'Ubugenduzi bw'intwaro n'ikigega, hamwe n'Ubuyobozi bujejwe kurwanya ihohoterwa rifatiye ku gitsina mu Bushikiranganji bujejwe gushigikirana vyibagiwe, vyoronswa uburyo bwo gukora;
- Kuvyoshika gihutihuti bitategekanijwe kandi bisaba uburyo, ubwo buryo bwosabwa ariko bikabanza gusigurwa neza;
- Ku bijanye n'amahera atararihwa ajanye no gufasha abatishoye, kuvuza abana batarenza imyaka itanu n'abakenyezi bibungenze ku buntu, n'udukarata two kwivurizako, ayo ntategekanijwe muyazokoreshwa uyu mwaka mu bushikirangaji bw'amagara y'abantu canke gushigikirana. Ariko birakenewe ko habanza kwigwa neza icatumye ivyo birarane;
- Birakenewe kumenya ntahonikora uwariwe, ku mwaka ku mwaka hakamenyekana ingene bangana, kuko ntawama ari ntahonikora, kandi biramaze kugaragara ko harimwo ubusuma bwinshi;
- Ku mwaka ku mwaka harakenewe kumenyekana ababwirizwa kuvuzwa ku buntu kuko abavutse baba bazwi;
- Harakwiye gushingwa ikiringo co kugura agakarata ko kwivurizako kugirango umuntu ntakagure hageze ko aja kwa muganga, hanyuma uwacerewe ku kagura mu kiringo cashinzwe akagira amahera yongerako ;
- Ubushikiranganji bujejwe imibano, intwaro yo hagati mu gihugu n'ubutungane burakwiye kuja hamwe bukiga uburyo burashe bwo gukura abana mw'ibarabara.

2. **Integuro y'indinganizo y'ibizorangurwa mu bushikiranganji bw'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere mu gushira mu ngiro umugambi w'igihugu w'iterambere,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigenderanire no gufashanya mw'iterambere.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro umugambi w'igihugu w'iterambere, ubushikiranganji bwose bwasabwe kwerekana ingene buzowukurikiza mu bisata vyose bujejwe.

Nico gituma iyi nteguro yo mu bushikiranganji bw'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere yashikirije.

Muvyo ishira imbere, harimwo guhanahana amakuru mu bijanye n'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere muri rusangi, gusubiramwo ingene ubuzi butunganijwe mu bakozi bakorera mu vy'imigenderanire, no kuronka inyubakwa ubushikiranganji bukoreramwo.

Iyi nteguro iraca hirya no hino ingene ubushikiranganji bwifashe mu kwerekana ingene butunganijwe, ingorane zibonekeza, n'ivyofasha kugirango zitorerwe umuti.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gukurikiranira hafi ibijanye n'amasezerano ntaze aradindira haba mu guterwako umukono canke mw'ishirwa mu ngiro ryayo ;
- Gushiraho uburyo nyabwo bwo gushingura inzandiko zo mu bijanye n'imigenderanire;
- Iyi nteguro yohera muri uyu mwaka w'2021 tugezemwo.

3. **Integuro y'ibwirizwa rishinga ibikurikizwa mu kwakira abashitsi no gutunganya iminsi mikuru,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigenderanire no gufashanya mw'iterambere.

Ibijanye no kwakira abashitsi no gutunganya iminsi mikuru nk'uko bikorwa ngaha mu Burundi kuva turonka intahe y'ukwikukira birafise agahaze, kuko bitagira amategeko vyisunga.

Ishirwaho ry'ayo mategeko aha mu Burundi ryofasha, utugorane dutuma ico gikorwa kitagenda neza ntidusubire kwibonekeza.

Rifise intumbero yo kugirango ibikorwa bitunganywa ngaha mu Burundi bigira ico vyisunga bigatuma n'abakozi bo muri ico gisata co kwakira abantu no gutunganya iminsi mikuru bagira ubumenyi bukwiye.

Ayo mategeko arerekana kandi ivyisungwa n'ubuserukizi bw'ibindi bihugu canke amashirahamwe mpuzamakungu bikorera ngaha mu Burundi.

Kimwe muri bishasha ni uko ayo mategeko afatira k'ukugene ibintu vyagiye birahinduka aha mu gihugu kuva twinjiye muri demokarasi kuva mu 1993, be rero na bikuru bikuru ngenderwako vyisungwa kw'isi yose.

Iyi nteguro irerekana abantu ingene bagenda bakurikirana ku rutonde kuva hejuru gushika no ku batowe ku mitumba.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, mu vyagiye birashikirizwa harimwo ibi bikurikira :

- Kuraba neza ko iki gisata gitegerezwa kugengwa n'ibwirizwa;
- Iyi nteguro yojamwo ingingo ngenderwako gusa, ibijanye n'ido n'ido bigashirwa mu yandi mategeko;

- Kuraba ko iyi nteguro ihuye n'amateka, n'amategeko hamwe n'imico vy'Uburundi;
- Gutegekanaya inyigisho ku bakozi bagenwa ngo bakore mu bijanye no gutunganya iminsi mikuru no kwakira abashitsi kuko ivyo biratanga ishusho y'ingene igihugu gitunganijwe.

Inama nshikiranganji yaciye ishiraho umugwi w'abashikiranganji bazohinyanyura neza iyo nteguro imbere y'uko igarukanwa mu nama nshikiranganji, nawo ukaba ugizwe n'umushikiranganji ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu, uw'intwaro yo hagati mu gihugu, uwujejwe iyinjira ry'Uburundi mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, n'uw'ubutungane, bakazoheza bakisunga Ibwirizwa shingiro, amateka n'akaranga vy'Uburundi, n'amasezerano agenga ibijanye n'imigenderanire y' ibihugu yatereweko umukono i Vienne.

4. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo rikongera rigatunganya Igipolisi c'Uburundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Igipolisi c'Uburundi kigengwa n'ibwirizwa 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017.

Kuva iryo bwirizwa rijaho, haribonekejemwo uduhaze tutari duke haba nko ku bijanye n'amazina y'ibisata bisa nk'uko biri ku rugero rumwe, canke ibisata bitari mu kibanza cavyo bivanye n'imirimo yavyo.

Kugirango Igipolisi c'Uburundi gikore neza kuruta, birakenewe ko utwo dutosi dutosorwa.

Mu vyo iyi nteguro itosora, aha twovuga nk'ibijanye no :

- Gukuraho Komisariya ijejwe inyigisho igasubirirwa n'Ibiro bijejwe inyigisho vyoba mu Bugenduzi bukuru bw'Igipolisi;
- Guhindura Komisariya nkuru y'igipolisi mpuzamakungu (Interpol) hakajaho Ibiro bikuru vy'igipolisi ku rwego rw'igihugu nk'uko biri muri aka karere;
- Gushiraho urwego rukuru rw'Igipolisi nk'uko mu Gisirikare hari Ibiro bikuru vy'igirisikare;
- Gushiraho Igisata kijejwe impunzi muri Komisariya nkuru ijejwe abanyamahanga;
- Gushira mu Gipolisi Igisata kijejwe ubuhinga ngurukanabumenyi n'ikijejwe ubwibutsamana;

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

5. **Integuro y'ibwirizwa rikinga rikongera rigahana ububisha buca ku buhinga ngurukanabumenyi mu Burundi**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Muri iyi myaka, iterambere mu buhinga bwo gutumatumanako no guhanahana amakuru ryashitse ku rugero rushimishije, bica bituma ababukoresha basa nk'uko bari hafi na hafi. Ikoreshwa ry'umuhora wa interenete ni kimwe mu vyerekana akamaro k'ububuhinga ngurukanabumenyi.

Naho ubwo buhinga bufise akamaro ntangere, ubutunzi n'imibano mu bantu birabangamiwe n'ububisha bushasha buca muri ubwo buhinga.

Muri iki gihe, mu bihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, igihugu c'Uburundi nico conyene kidafise amategeko ahana ububisha buca ku buhinga ngurukanabumenyi.
Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi, harimwo ingingo zine zonyene zihana mwen'ivyo vyaha. Ako rero ni agahaze mu bijanye n'ubutungane. Ivyo bica bituma Uburundi buba mu bihugu bishobora kubangamirwa n'ubwo bubisha, bushobora guturuka mu gihugu canke hanze y'igihugu.

Birakenewe rero ko igihugu cacu kigira amategeko ahasha ubwo bubisha aza yunganira ayasanzwe ahari.

Kubera ububisha buca ku buhinga ngurukanabumenyi buri mu bubisha ndengambibe, ibihano bitegekanywa bitegerezwa gukomezwa kandi vyashizwe ku rugero rw'ibitegekanywa mu mategeko y'ibihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, mu vyo yashikirije harimwo ibi bikurikira :

- Iri bwirizwa rirakenewe kandi ririhuta ;
- Ni kuraba ko iyi nteguro ijanye n'umugambi uriko urategurwa mu bijanye no kurwanya ubwo bubisha;
- Ni kuraba ko ibihano bitegekanywa n'iyi nteguro bikwiranye n'amakosa aba yakozwe, hanyuma n'igitabu mpanavyaha kiriko kirasubirwamwo kizoheze kibifatireko;
- Iri bwirizwa rimaze kujaho, hokwiga ubuhinga bwo guhiga no gufata mwen'abo bagizi ba nabi.

Abashikiranganji bajejwe ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru, ubutungane n'indero bazofasha mu guhinyanyura no mu gutosora iyi nteguro, hanyuma izogarukanwe mu nama nshikiranganji.

6. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vyihuta vyo gutabara no gukinga ibiza n'isibe,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Kuva mu mwaka w'2011, Uburundi bwarashizeho indinganizo y'ibijanye no gutabara mugihe c'ibiza canke isibe, ubu kikaba ari igihe co gushiraho inzego zijejwe gutora inyishu zihuta ku ngorane zishitse gihuti huti, murizo hakaba harimwo Ikigo c'igihugu kijejwe ico gikorwa « Centre National des Opérations d'Urgence » mu rurimi rw'ifaransa).

Ico kigo rero ubu kiriko kirashingwa igihugu c'Uburundi kibifashijwemwo n'igihugu c'Uburusiya.

Ico kigo kizoshobora gufasha no mu karere bikenewe, na cane cane ko Uburundi bwatowe kugirango habe ariho hashirwa Ikigo c'akarorero c'akarere kijejwe gukinga no kurwanya ibiza n'isibe.

Mu ntumbero y'uko ico Kigo cotangura gukora no gushimangira ivyari bihasanze mu gutora inyishu ku biza vyiyadukiza, harakenewe ko haja amategeko agenga ico Kigo.

Niyo ntumbero y'iyi nteguro.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

7. **Integuro y'itegeko ritunganya ibijanye no gucura imfunguzo,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Haraheze igihe kitari gito hibonekeza ubugizi bwa nabi bufatiye ku nzandiko canke ibindi bikoresho vyiganwa.

Ivyo birabonekera ku busuma bukorwa ku ma modokari aba ahagaze ahantu, aho abo bagizi ba nabi bakoresha imfuguzo z'inyiganano canke imfunguzo zugurura hose.

Abantu bamwe bamwe bafise amamangazini adandaza ivyuma baradomwako urutoke kuko bafatanya urwo rudandazwa no gucura imfuguruzo.
N'abandi bantu basanzwe nabo nyene baracura izo mfunguruzo.

Mu ntumbero yo gukingira imfunguruzo kugirango zikorwe n'amamangazini azwi, no kugirango ico gikorwa gikurikiranwe neza, birakenewe ko hajaho amategeko agenga ico gikorwa.

Niyo ntumbero y'iyi nteguro.

Yerekeye imfunguruzo z'imyango y'inzu, amasandugu mutamenwa, udusandugu tw'amakete, imyango minini minini y'impangu, imfunguruzo z'imiduga, n'izindi.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gutomora ibisabwa kugirango umuntu canke ishirahamwe ryemererwe gukora izo mfunguzo ;
- Gushiraho ibihano bihabwa uwukoze imfunguzo atabifitiye uburenganzira;
- Gutanga uburenganzira ku ma komisariya mu Ntara bwo gutanga urupapuro rwemeza ko ikintu catakaye
- Iyi nteguro yoba itegeko nshikiranganji rishirwako igikumu n'umushikiranganji ajejwe intwaro yo mu gihugu hagati be n'uwujejwe ubudandaji ;
- Umushikiranganji ajejwe ubutungane yotegura vuba itegeko rigenga ugukora ibidodo.

8. **Integuro y'itegeko rishinga ibijanye no gutunganya urutonde rw'ivyuka vyonona igisenge,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Uburundi bwaremeje amasezerano mpuzamakungu yerekeye ihindagurika ry'ibihe kuva mu mwaka w' 1997, butangura kuyashira mu ngiro mu mwaka w' 1999, aho bwashikiriza ibijanye n'ihindagurika ry'ibihe mu Burundi.

Ayo masezerano ategekanya ko ibihugu biyemeje bishikiriza inama ya bose bibicishije mu bunyamabanga bw'ayo masezerano, ibi bikurikira:

- Urutonde rw'ibizana imyuka yonona igisenge bituruka ku bikorwa vy'abantu;
- Kwerekana ingingo igihugu gifata canke cipfuza gufata mw'ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano;

- Ico cose igihugu kibona cofasha mu kugirango ayo masezerano ashike kw'ihangiro ryayo.

Muri iyo ntumbero, Reta y'Uburundi yaragize ivyo ishikirije incuro zitatu, ubuheruka hakaba hari mu 2019.

Ico gihe, hari hategekanijwe ko haca haja inzego n'amategeko kugirango urwo rutonde rw'ibitosekaza igisenge bize birakorwa neza kuruta.

Birakenewe rero ko hajaho itegeko rishiraho inzego n'ibikurikizwa mu gukora urwo rutonde nyarwo rw'ibitosekaza igisenge, rikongera rikerekana uruhara rw'umw'umwe muri abo bose vyega.

Muri ico gihe:
- Uburundi buzoba buriko burashira mu ngiro ivyo bwiyemejwe mu kwemeza amasezerano mpuzamakungu yerekeye ihindagurika ry'ibihe ;
- Buzoronka uburenganzira bwo kuronswa uburyo bwo gushira mu ngiro ayo masezerano ;
- Buzomenya urugero bugezeko mu bijanye n'ivyuka burungika mu kirere hanyuma buronswe ubuhinga bwo kugabanya ivyo vyuka.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ko utwigoro Uburundi buriko buragira mu gukingira ibidukikije bwodukamisha mu kugira ico busavye ibihugu bifise amahinguriro menshi kuko arivyo vyonona igisenge, mu gihe Uburundi bugerageza kugikingira.

## 9. **Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi yarashikirije urwandiko rujanye n'amashirahamwe yigenga akora kazi ko kuronderera abakozi ayandi mashirahamwe.
  Yamenyesheje ko ibikorwa vy'ayo mashirahamwe vyahagaritswe aho higaragarije amashirahamwe amw'amwe yakora ibinyuranye n'amategeko mu kurungika abakozi mu mahanga mu kinyegero.

  Mu kurindira ko ico gisata gitunganywa neza , kubera kandi uruhara ayo mashirahamwe afise mu kuronderera abakozi ayandi mashirahamwe canke abakoresha bo ngaha mu gihugu, uru rwandiko rusaba ko itegeko nshikiranganji n°660/351/91 ryo ku wa 9 Munyonyo 1991 ritunganya ico gisata ryosubirwamwo, kugirango ayo mashirahamwe asubire gukora ariko mu bijanye no ngaha mu gihugu gusa.

Inama nshikiranganji yasavye Umushikiranganji ajejwe abakozi ba Reta n'akazi gutegura amategeko ajanye n'ico gisata, ayazane mu nama nshikiranganji aheze aroranishwe n'ayandi asanzwe ahari muri iki gihe.

- Umushikiranganji w'ikigega ca Reta yarashikirije ibijanye n'imyiteguro ya rusansuma rw'abantu, uburaro, uburimyi n'ubworozi rwo mu 2022. Yaramenyesheje ko mu vyerekeye ishirwaho ry'inzego canke ibisata bikenewe kuri urwo rusansuma, hasigaye kujaho ibiro bikuru vya Rusansuma, ama komite mu ntara no mu ma komine.

  Mu bijanye n'imyiteguro, umugwi ujejwe gukurikirana rusansuma ku rwego rw'igihugu be n'umugwi w'ubuhinga baramaze kugira amanama menshi kugirango bahanahane ivyiyumviro kuri ico gikorwa, intambamyi zihari, n'ivyimirije gukorwa.
  Mu bigiye gukorwa, harimwo kwegeranya uburyo, gukora igicapo c'ingene imitumba ipanze, no gukora rusansuma y'igeragezo.

  Inama nshikiranganji yasavye umushikiranganji w'ikigega ca Reta gutegura urutonde rw'ingene ibikorwa bizokurikirana kugirango umwe wese mu bimwerekeye amenye ingene yitunganya.

- Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu yarashikirije urwandiko rwerekeye Abarundi baja kurondera akazi mu bindi bihugu.
  Urwo rwandiko ruteguwe inyuma y'aho vyibonekeje ko hari Abarundi baja mu bihugu vyo hanze kurondera ubuzi cane cane mu bihugu vyo mu kigobe c'Abarabu bidaciye mu mategeko, kenshi bagahura n'ibibazo.
  Yaramenyesheje ko Uburundi be n'ibihugu bibanyi vyashizeho uburyo bwo gufashanya mu kurwanya iyo ngendo kandi biramaze gushika ku bintu bishimishije.
  Yaramenyesheje kandi ko hariho integuro z'amasezerano hagati y'ibihugu bimwe bimwe vyo mu kigobe c'Ababarabu n'ibindi bihugu abo Barundi bajamwo kugirango ibintu bikorwe mu muco, abakozi bagende mu buryo buzwi kandi bakingiwe n'amategeko **.**

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 22 Mukakaro 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE